Diyoseze Nkuru ya Bujumbura

INAMA NSANGIZANGENDO IGIRA 16 Y'ABEPISKOPI BO KW'ISI YOSE

Bujumbura, munyonyo 2021

Ibirimwo

Intangamarara 2

I. INZIRA IZOKURIKIZWA MU GUHIMBAZA INAMA NSANGIZANGENDO..... 4

1. Iyugururwa ry'inama nsangizangendo : gitugutu 2021 5

2. Intambwe yo ku rwego rw'amadiyoseze : gitugutu 2021 - 15 myandagaro 2022 5

3. Intambwe yo ku rwego rw'Ekleziya ikwiye kw'isi yose : gitugutu 2023 8

II. IMBERE YO GUTANGURA IBIKORWA, ukwisuzuma....10

III. IHWANIRO RY'IYI NAMA N'IMIGAMBI MIKURU YA DIYOSEZE NKURU YACU 12

IV. IBIBAZO VYO KWISHURIRA HAMWE 14

1. INTAMBWE YA MBERE : Igisabisho.....14

2. INTAMBWE YA KABIRI. Ikiyago n'uguhana ijambo..... 15

3. INTAMBWE YA GATATU : Ukwishura ibibazo 17

Ugusozera.....21

Annexe 1 : Consultation au niveau diocésain 22

Annexe 2 : Les groupes à consulter dans une paroisse 23

Annexe 3. Ogranisation des consultations dans les différentes familles religieuses 24

Annexe 4 : Documents de référence publiés par la Secrétairerie du Synode des Evêques (cf. www.synod.va) :.....25

Diyoseze Nkuru ya Bujumbura

INAMA NSANGIZANGENDO Y'ABEPISKOPI BO KW'ISI YOSE

« Kugira ngo habe Ekleziya irangwa n'ukuja Inama nsangizangendo : isangiramutima, ukugira uruhara mu muryango n'ubutumwa »
Pour une Eglise synodale : Communion-participation-mission

Intangamarara

Bavukanyi,

Uko imyaka itatu iheze, abaserukira abepiskopi bama bahura maze bakayaga kuri kimwe mu bibazo bikuru bikuru vyibonekeza muri Ekleziya. Kuva itariki 10 gitutugu 2021, abakristu bose basabwe kwifatanya n'Abepiskopi muri urwo rugendo. Umuvyeyi wacu Papa aduhamagarira kuja hamwe na bo mu nteguro y'inama yabo isanzwe igira 16 maze bagasangira urugendo, bagasangizanya ingene bagenda bagana Kristu, bakajana (**synode sur la synodalité**).

Icivugo nyamukuru ni iki :
« Kugira ngo habe Ekleziya irangwa n'ukuja Inama nsangizangendo : isangiramutima, ukugira uruhara mu

muryango n'ubutumwa » (Pour une Eglise synodale : communion-participation et mission).

Intumbero nyamukuru y'umwihwezo w'ubuzima bw'Ekleziya mu muryango ifatiye kuri iki kibazo :

Mu butumwa bwayo bwo kumenyesha Inkuru Nziza, Ekleziza igenda nk'umuryango. Uko kujana kwiserura gute uyu musi muri Diyoseze (mu muryango) yacu ? Ni izihe ntambwe Mutima adusaba gutera kugira tujane twese ?

Ukwibaza : Kugira twishure neza ico kibazo,

- Twibaze neza ico ukujana, ugusangira urugendo, ugusangira ubutumwa bishaka kuvuga kuri twebwe ;
- Twibaze ivyiza tumaze gukura mw'isangirabutumwa ; intambamyi twahuye na zo ; ibikomere vyatuvyariye ; ivyiyumviro n'ivyipfuzo bishasha twahakuye
- Turabire hamwe ico Mutima adusaba uyu musi, inyifato nziza dutegerezwa gukomeza, inyifato mbi zo guhindura, imiryângo mishasha Mutima ariko arugururra ngo tumenyeshe Inkuru Nziza nk'umuryãngo uri ku rugendo rumwe ata n'umwe asigaye inyuma.

Ihangiro : Iyi nama ifise ihangiro ryo *kuvyura mu bakristu ivyiyumviro, indoto, impanuro, ishusho bishasha ; ugukabura umwizero wabo ; ugutenga ibikomere ; ugusanura imitima n'imibano ; ukwigishanya ; ukurondera ubukomezi n'umuco bishasha bishigikira ubutumwa bw'abakristu.*

Inyifato izoduherekeza na yo ni iyi: *"Umwe wese atege ugutwi uwundi, twese twumvirize Mutima" (chacun à l'écoute de l'autre et tous à l'écoute de l'Esprit).*

I. INZIRA IZOKURIKIZWA MU GUHIMBAZA INAMA NSANGIZANGENDO

Kubera ko Amadiyoseze, ari yo Ekleziya Gatolika imwe rudende ibamwo kandi ikaba ari na ho itangurira, afasha mu buryo burangutse kurondera ineza y'Umubiri w'akayobera wose, ari wo kandi umubiri w'ama Ekleziya (raba *Lumen Gentium* 23), itunganywa ry'Inama nsangizangendo ntiryoba ryuzuye vy'ukuri, Amadiyoseze yose atabigizemwo uruhara.

Ntivyoshoboka kandi ko Amadiyoseze agira uruhara nyarwo mu gihe inzego bacako mu nama nsangizangendo na zo nyene zitabigizemwo uruhara. Izo na zo ni :

- Amanama nsangizangendo y'ama Ekleziya gatolika yo mu Buseruko,
- Amanama mpanuzwajambo n'Amahuriro y'ama Ekleziya gatolika agengwa n'amategeko yisangije hamwe
- **Inama z'Abepiskopi**, haba ku rwego rw'igihugu, rw'akarere, n'urwo ku migabane y'isi.

Indinganizo y'Inama nsangizangendo itangurwa n'iyugururwa ry'icese ikaba yubakiye ku ntambwe zitatu :

1. Iyugururwa ry'inama nsangizangendo : gitugutu 2021

Iyugururwa ryabereye i Vatikano ku musi w'Imana igenekerezo rya 10 gitugutu, rikaba ryaranabaye muri Diyoseze imwe imwe yose ku musi w'Imana igenekerezo rya 17 Gitugutu 2021.
Rigizwe n'ibice bibiri nyamukuru :

a. Umwanya w'inama: uguhanahana ivyiyumviro.
b. Umwanya w'igisabisho: uguhereza Inkuka y'Imisa.

Uko bizoba vyakurikiranijwe i Vatikano ni ko vyategerezwa kuba no muri Diyoseze biyobowe n'Umwungere wayo :

a. Umwanya w'inama: uguhanahana ivyiyumviro.
b. Umwanya w'igisabisho: uguhereza Inkuka y'Imisa.

2. Intambwe yo ku rwego rw'amadiyoseze : gitugutu 2021 - 15 myandagaro 2022

Akamaro k'iyo ntambwe yo ku rwego rw'Amadiyoseze ni uguhanuza Igihugu c'Imana, kugira ngo itunganywa ry'Inama nsangizangendo rigirwe mu kwumviriza ababatijwe bose, **kuko bahuje umutima umwe badashobora kwihenda mu kwemera**. Kugira ngo uguhanuza n'ukugira uruhara kuri bose vyorohe, inzira yo gukurikiza ni iyi :

Urwego rw'ubunyamabanga bukuru bw'inama mpuzangendo (Secretairerie du Synode)

Urwego rw'Ubunyamabanga Bukuru bw'Inama nsangizangendo rwararungitse *Urwandiko nteguza* (Document préparatoire), ruri kumwe n'Ibibazo hamwe

n'*Agatabu mperekeza (Vademecum)* karimwo ivyiyumviro bifasha guhanuza abakristu muri Diyoseze imwe imwe yose. Urwo Rwandiko rwarungikiwe kandi Ibisata vy'Ubutumwa bwa Papa vy'i Roma, Amahuriro y'Abakuru b'Imiryango y'Abihebeyimana b'igitsinagabo/Ayabihebeyimana b'igitsinagore ; rurungikirwa kandi ayandi mahuriro n'imirwi y'abihebeyimana, imihari y'ubutumwa bw'abalayike ku rwego rw'isi yose, hamwe n'Amakaminuza-Ibisata vya Teolojiya.

Amadiyoseze n'amanama y'abepiskopi canke inzego zigereranywa na yo

Umwepiskopi yaragenye umusaserdoti ajejwe gutunganya ku rwego rwa Diyoseze ivyerekeye Inama nsangizangendo; uwo na we akazoshobora kuba ari we ivy'Inama nsangizangendo vyose bicako, yongere abe ari we akorana n'Inama y'Abepiskopi, akaba kandi ari we azoherekeza, muri Diyoseze, igikorwa c'uguhanuza mu ntambwe zaco zose.

Inama y'Abepiskopi na yo nyene yaragenye umuntu ajejwe gutunganya ku rwego rw'Inama y'Abepiskopi ivyerekeye Inama nsangizangendo, uwo muntu akazoba ari we ivy'Inama nsangizangendo vyose bicako ku rwego rw'Inama y'Abepiskopi, yongere abe ari we akorana n'abajejwe gutunganya ivy'Inama nsangizangendo ku rwego rw'Amadiyoseze, akorane kandi n'Urwego rw'Ubunyamabanga Bukuru bw'Inama nsangizangendo.

Amadiyoseze

Igikorwa c'uguhanuza (*consultations*) mu Madiyoseze kizogirwa biciye mu nzego mpanuzwajambo zisanzwe zitegekanijwe n'amategeko y'Ekleziya, hatibagiwe n'ubundi buryo bobona ko bubereye kugira ngo ico gikorwa kibe nyaco kandi kiranguke neza.

Igikorwa co guhanuza Igihugu c'Imana muri Diyoseze iyo ari yo yose, kizosozerwa n'**inama itegura Inama nsangizangendo (session pré-synodale)**, iyo nama ikazoba ari igihe gihambaye c'ukuzirikana ku rwego rwa Diyoseze.

Hamaze gusozerwa intambwe yo ku rwego rwa Diyoseze, Diyoseze iyo ari yo yose izoca irungika icegeranyo cayo mu Nama y'Abepiskopi kw'igenekerezo rizoba ryashinzwe n'Inama y'Abepiskopi nyene.

Ku Bungere bahurikiye mu Nama (Inama y'Abepiskopi), hazugururwa ikiringo co kuzirikana, kuko basabwe kwumviriza ico Mutima Mweranda azoba yakabuye mu Madiyoseze bashinzwe.

Uwujejwe ivy'itunganywa ry'Inama nsangizangendo mu Nama y'Abepiskopi be n'umurwi wiwe, hamwe n'abazoba batowe kuja gusasa mu Nama nsangizangendo isanzwe y'Abepiskopi bo kw'isi yose i Roma, bazogira kandi uruhara mu kwandika icegeranyo, mu gihe bazoba bamaze kwemezwa na Papa.

Icegeranyo kizorungikirwa Urwego rw'Ubunyamabanga Bukuru bw'Inama nsangizangendo. Ivyegerano vyavuye mu Madiyoseze yose na vyo nyene bizorungikwa.

Izindi ntererano

Intererano zirungitswe n'Ibisata vy'ubutumwa bwa Papa vy'i Roma, Amakaminuza-Ibisata vya Teolojiya, Ihuriro ry'Abakuru b'imiryango y'abihebeyimana b'igitsinagabo/ Ihuriro ry'Abakuru b'imiryango y'abihebeyimana b'igitsinagore, hamwe n'ayandi mahuriro n'amashirahamwe y'abihebeyimana, be n'imihari y'ubutumwa bw'abalayike ku rwego rw'isi yose, na zo nyene zizokwakirwa.

Urwego rw'ubunyamabanga bukuru bw'inama mpuzangendo

Urwego rw'Ubunyamabanga Bukuru bw'Inama Mpuzangendo ruzoheza ruce rwandika *Integuro y'Ibikorwa* ya mbere (*Instrumentum Laboris 1*).

Intambwe yo ku rwego rwo ku mugabane w'isi

Intumbero y'iyi ntambwe ni uguhanahana ivyiyumviro ku rwego rw'umugabane w'isi ku *Nteguro y'Ibikorwa* ya mbere, mu kurangura igikorwa gishasha c'ukuzirikana hisunzwe ubudasa bw'imico n'imigenzo biranga umugabane w'isi uwo ari wo wose.

3. Intambwe yo ku rwego rw'Ekleziya ikwiye kw'isi yose : gitugutu 2023

Urwego rw'Ubunyamabanga Bukuru bw'Inama nsangizangendo ruzorungikira abazoja gusasa mu Nama nsangizangendo y'Abepiskopi bo kw'isi yose *Integuro y'Ibikorwa* ya kabiri *(Instrumentum Laboris 2)*. Uguhimbaza Inama nsangizangendo y'Abepiskopi bo kw'isi

yose i Roma kuzogirwa nk'uko bitegekanijwe n'amategeko ari mu Rwandiko rwitwa *Constitution Apostolique Episcopalis Communio* (*Gitugutu 2023*).

Uburyo intambwe zitandukanye zikurikirana mw'itunganywa ry'Inama nsangizangendo butuma bishoboka ko haba ukwumviriza vy'ukuri Igihugu c'Imana ariko kandi bugatuma Abepiskopi bose ku nzego zitandukanye z'ubuzima bw'Ekleziya babigiramwo uruhara (Amadiyoseze, Amanama y'Abepiskopi canke inzego zigereranywa na yo, Amanama Mpuzamakungu y'Amanama y'Abepiskopi). Gurtyo ukugira uruhara kuri bose mw'itunganywa ry'Inama nsangizangendo biba vyubahirijwe kandi vyerekana ko bose bagize urunani mu guhuza ingendo, nk'uko Papa Fransisko yabishimangiye igihe hahimbazwa imyaka 50 irangiye hashinzwe Urwego rw'Inama nsangizangendo y'Abepiskopi bo kw'isi yose.

Mu karangamutima k'ugufashanya, Urwego rw'Ubunyamabanga Bukuru bw'Inama nsangizangendo buguma bwiteguriye gutomora no guherekeza ico cose kiraba iyo ndinganizo y'Inama nsangizangendo, ibwirizwa kuba ahakuru, igihe co kuzirikana mu mutima. « **Umwe wese akumviriza abandi ; kandi bose bakumviriza Mutima Mweranda** » (*Ijambo Papa Fransisko yashikirije igihe hahimbazwa imyaka 50 irangiye hashinzwe urwego rw'Inama nsangizangendo y'Abepiskopi bo kw'isi yose*, Igenekerezo rya 17 Gitugutu 2015).

II. IMBERE YO GUTANGURA IBIKORWA, ukwisuzuma

Diyoseze Nkuru ya Bujumbura ifise abakristu benshi, abihebeye Imana benshi, bitanga kandi bakunda Ekleziya. Ifise abakristu b'incabwenge kuko irimwo igisagara gikuru. Mu kwinjira muri iyi nama nsangizangendo, dusabwe kwicara tukihweza abo turi koko cane cane tukagira amaso n'ubwenge bimurikiwe na Mutima Mweranda ngo tubone n'ivyo tutahora tubona, ntirugarukirize amaso ku vyo twamenyereye.

Twibukanye ko iyi nama ifise ihangiro ryo *kuvyura mu* bakristu ivyiyumviro, indoto, impanuro, ishusho bishasha ; ugukabura umwizero wabo ; ugutenga ibikomere ; ugusanura imitima n'imibano ; ukwigishanya ; ukurondera ubukomezi n'umuco bishasha bishigikira ubutumwa bw'abakristu. Ibi bizoshoboka umwe wese yumvirije mugenzi we, twese twumviriza Mutima Mweranda.

Umwe wese muri twebwe agerageze kwiyishura muri we kugira ngo kwa guhinduka gutangurire ngaha nyene.

None :[1]

1. Tumaze kwumva intumbero n'indinganizo y'iyi nama, ni ibiki mwumvise bibashitse ku mutima ?
2. Ni iyihe migwi Diyoseze yacu yogeregeza kwiyegereza gusumba uko yahora ?
3. Vyogenda gute kugira tuyishikire ; twojana na bande ?
4. Dufise ubuhe bumenyi mu bijanye no kuringaniza ibikorwa nk'ibi vyo guhuza umuryango w'abemera ?

[1] Ahari Diyoseze, abihebeye Imana barashobora kuhashira Umuryango wabo.

5. Ni izihe nzego canke indinganizo zisanzweho muri Diyoseze zodufasha muri ico gikorwa ? Zohinyanyurwa gute ?
6. Inzego nshasha zoshirwaho ni izihe ?
7. Ni ibiki vyohava bigira inkurikizi kuri iyi nama (iki kiza ca Corona, intambara, amatati ya politike, ibikorwa nyamukuru turimwo,...)
8. Iyi nama mubona yoshimikira cane ku bihe bibazo ? kubera iki ? isaba Diyoseze guhindura iki mu ndinganizo yayo ?

III. IHWANIRO RY'IYI NAMA N'IMIGAMBI MIKURU YA DIYOSEZE NKURU YACU

Diyoseze Nkuru yacu, iherutse gusozera Inama y'umuryango ari na yo yavuyemwo ivyiyumviro ngenderwako vyadufashije kuringaniza ibikorwa nyamukuru tuzorangura muri iki kiringo c'imyaka itanu twaraye dutanguye.

Iyi nama nsangizangendo y'Abepiskopi ku rwego rw'isi yose na yo, idusaba kurimbura ingene inama y'umuryango yagenze n'ingene Diyoseze Nkuru, ibisata vyayo n'amaparuwase vyateguye ibikorwa biriko birarangurwa uyu mwaka. Uko kurimbura kudutuma kwisuzuma ngo turabe ko atabo twibagiye, canke ata kandi kahaze.

Mu miryango y'Abihebeye Imana, hariho inama, ibikorwa bihuza benshi vyo kuyaga, kwiga, gutegura imigambi n'ibikorwa no gusengera hamwe. No ngaha twibaze.

1. Mbega mu Nama y'Umuryango wa Diyoseze/Umuryango eka mbere no mu kuringaniza ibikorwa nyamukuru mu bisata vy'ubutumwa bwa Diyoseze no mu ma paruwase, nta bantu twibagiye kwumviriza ? Mbe abato bato n'abakene baronse ikihe kibanza ? Abakristu bavyitabirye ku rugero rungana gute ?
2. Ivyamwa twakuyemwo ni ihihe ?
3. Ni ibiki bitagenze neza twohinyanyura ?
4. Ufatiye ku nteguro, indinganizo n'ingene ibikorwa vyagenze eka n'ivyavuyemwo, ni iki ubona twofatira umwanya ngo tukiringanize bushasha ?

5. Icivugo c'iyi nama ni isagiramutima, ukwitanga mu muryango n'ubutumwa. Ni ibihe bibazo bishasha kivyura muri Ekleziya yacu ? Mu muryango wacu ? Ni iki ubona dukeneye kwicarira cane ngaha iwacu ?
6. Abakristu ba Diyoseze Nkuru / abasaserdoti / abibikira / abafurera barakeneye kuyaga no gutorera hamwe ivyiyumviro bishasha mu muryango. Inzira ubona bocamwo ni izihe ?
7. Iyi nama nsangizangendo itanguye yodufasha gute kugira ico Mutima yatuyagiye mu nama ziheruka gishinge imizi ?

Ivyo ni ibibazo vy'intangamarara bidufasha kubanza kwisuzuma imbere yo kwishura ibibazo nyezina vy'iyi nama nsangizabutumwa y'Abepiskopi. Tumaze kwisuzuma, tukabona abo turi, ubushobozi n'amagara make dufise, tukabona iyo tuvuye n'ivyo turimwo, muze turabire hamwe ibibazo Ekleziya yipfuza ko dusangira ku rwego rw'isi yose.

IV. IBIBAZO VYO KWISHURIRA HAMWE

Abakristu bamaze gutumirwa, bahurira mu kibanza categuwe neza. Uwurongora ikiyago arabasigurira ihangiro ry'iyo nama : ukuyaga ubuzima bw'Ekleziya yacu dushimikiye ku majambo atatu ari yo isangiramutima, ukwitanga mu muryango n'ubutumwa *(communion, participation et mission).*

Iki kiyago kigizwe n'ibice bikuru bikuru bitatu :

- Igisabisho ;
- Ikiyago ku buzima bw'Ekleziya n'ubw'abakristu mu muryango ;
- Ukwishura ibibazo.

Iki gikorwa co guhura tugasenga, tugasabikanya Ijambo ry'Imana, tugahana Ijambo maze tukishura ibibazo kirashobora kuba umusi umwe canke ibiri canke irenga. Igikuru si ukwishura ibibazo ahubwo ni ukwumvirizanya no kwumviriza Mutima adusaba kujana twese. Inyishu zizorungikwa kuri e-mail : synodebuja@gmail.com canke kuri whatsapp 61 22 19 19.

1. INTAMBWE YA MBERE : Igisabisho

1. Ugushika mu kibanza
2. Igisabisho co guhamagara Mutima Mweranda (ururirimbo)

3. Ugusoma Ijambo ry'Imana : *Mk 10,46-52 canke Lc 24, 13-35 canke Ibik. 10,1-47*
4. Ugusabikanya Ijambo ry'Imana dushimikira ku ngeso nziza n'inyifato ritwigisha : uguhuza imitima, ukwakirana, ukudacira abandi imanza, ukwiyegereza abandi, ukwumviriza, ukuyaga, ugutegera uwundi, ukwakira ukudasa,...
5. Igisabisho rusangi (dusabe izo ngeso nziza twumvise)

2. INTAMBWE YA KABIRI. Ikiyago n'uguhana ijambo

1) Inyifato ibereye kugira twishure neza : Uwurongoye ibikorwa adusomere

a) Gufata umwanya wo kuyaga mu kuri tudahendana (être sincères) ;
b) Ukwicisha bugufi ngo twakire ico mugenzi wacu ashikirije nk'uko Mutima Mweranda yoba ariko aratuyagira (1 Co 12,7);
c) Kwitegurira guhinduka no guhindura uko tubona ibintu n'uko tubayeho;
d) Kwirinda gutanga za nyishu twamenyereye (réponses toutes faites) ;
e) Kwirinda gufatira mu kivunga abantu canke ibintu (préjugés et stéréotypes) ;
f) Gutegera Ekleziya nk'umuryango w'ababatijwe bose kandi bangana, bafise uburenganzira bwo gushikiriza ico biyumvira (le cléricarisme) ;
g) Gukira akarwara k'ubwishime, ko kwibwira ko twikwije (l'autosuffisance) ;

h) Kurengera agatima ko gushira imbere ivyiyumviro gusumba abantu (les idéologies) ;
i) Kwiyugururira umwizero ;
j) Kuraba kure ukiha ishusho nshasha y'umuryango.

2) Imitego twokwirinda kugwamwo : Dusome dukuranwa umwe wese asigura ico asomye uko acumva

1. Ukugomba kwiyobora ha kuyoborwa na Mutima ;
2. Kwubakira iciyumviro kuri wewe no ku bibazo vyawe ukibagira kwiyugururira umuryango wose (nous et nos soucis) ;
3. Ukubona ingorane gusa (les problèmes) ;
4. Ukubona inzego gusa ukaba ari zo uhagararako (les structures) ;
5. Ukugarukiriza amaso aho Ekleziya igarukira ;
6. Ugatakaza intumbero y'inama nsangizangendo ;
7. Ukuguma mu matati n'ugucanamwo (les conflits) ;
8. Ukwibaza ko iyi nama ije gushinga amategeko mashasha (lieu de bataille politique) ;
9. Ukwumviriza abari mu butumwa muri Ekleziya gusa.

3) Umwihwezo wa Diyoseze / Paruwase / Umubano / Umuryango : Twibaze.

1. Mbega mu Nama y'Umuryango wa Diyoseze eka mbere no mu kuringaniza ibikorwa nyamukuru mu bisata vy'ubutumwa bwa Diyoseze no mu ma paruwase, nta bantu twibagiye kwumviriza ? Mbe abato bato n'abakene baronse ikihe kibanza ? Abakristu bavyitabirye ku rugero rungana gute ?

2. Ivyamwa twakuyemwo ni ihihe ?
3. Ni ibiki bitagenze neza twohinyanyura ?
4. Ufatiye ku nteguro, indinganizo n'ingene ibikorwa vyagenze eka n'ivyavuyemwo, ni iki ubona twofatira umwanya ngo tukiringanize bushasha ?
5. Icivugo c'iyi nama ni isagiramutima, ukwitanga mu muryango n'ubutumwa. Ni ibihe bibazo bishasha kivyura muri Ekleziya yacu ? Ni iki ubona dukeneye kwicarira cane ngaha iwacu ?
6. Abakristu ba Diyoseze Nkuru yacu barakeneye kuyaga no gutorera hamwe ivyiyumviro bishasha mu muryango. Inzira ubona bocamwo ni izihe ?
7. Iyi nama nsangizangendo itanguye yodufasha gute kugira ico Mutima yatuyagiye mu nama ziheruka gishinge imizi ?

3. INTAMBWE YA GATATU : Ukwishura ibibazo

(Umwe wese yumviwize uwundi, twese twumvirize Mutima)

- Mu kwishura tugirako, tuvuga bike bikenewe kandi vyo;
- Dutange inyishu tutarinze gusigura ;
- Rabe ntimuhushe ikibazo kandi muvugishe ukuri ;
- Paruwase izotanga icegeranyo c'ivyavuye mu mibano no mu mihari n'imigwi;
- Inama nshingwabutumwa ya Paruwase izotanga icegeranyo cayo.

IBIBAZO

1. Abasangiye urugendo

1.1. Iyo tuvuze Ekleziya yacu, ni ba nde tuba tuvuze ?
1.2. Turetse barya twegeranye, abandi dusangiye urugendo ni ba nde ?
1.3. Imigwi y'abantu twibagiye canke twirengagije ni iyihe ?

2. Ukwumvirizanya

2.1. Mbega abalayike (cane cane urwaruka n'abapfasoni) turabumviriza ?
2.2. Intererano y'abihebeye Imana ni iyihe ?
2.3. Imigwi mito mito (inkehwa) ifise ikihe kibanza ?
2.4. Ni ikihe cigwa dukura mw'ihindagurika ry'ibihe n'imibano y'abantu (ubu bashira imbere uguhana ijambo, ukubaza abantu ico bipfuza, ukuringaniza amatora y'abarongozi, ugushikiriza abo ukorera icegeranyo,…) ?

3. Uguhana ijambo

3.1. Ubwo nta gatima ko kwiyorobeka dusanga muri paroisse iwacu (mu mibano yacu) mu mvugo zacu canke ku bijanye n'ubuzima bw'igihugu ?
3.2. Ni ryari duserura ikiri ku mutima ?
3.3. Tubiha akahe gaciro ? Bikora gute ?
3.4. Abaduserukira mu nzego bashirwaho gute ?
3.5. Mbe ibimenyeshamakuru bifise ikihe kibanza mu buzima bwacu ?

4. Ugusenga

4.1. Igisabisho gifise akahe kamaro mu muryango wacu w'abemera ? Mu ngingo zifatwa ?

4.2. Abakristu biyumvamwo gute igisabisho c'Inkuka y'Imisa ?

4.3. Abasomyi n'abakorezi, abatambiramana n'abiyerekeramana bafise uruhe ruhara ?

5. Isangirabutumwa

5.1. Ni igiki kibuza abakristu kwitangira ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza ?

5.2. Ni ibihe bisata (ibibanza) tumenyeshamwo Inkuru Nziza ? Gute ?

5.3. Dushigikira gute abakristu bakora ibikorwa bitandukanye mu bisata vy'ubuzima bw'igihugu ?

5.4. Ekleziya yobafasha gute ngo bashingire intahe Kristu muri ivyo bisata ?

6. Ikiganiro hagati y'Ekleziya n'ibindi bisata vy'ubuzima bw'igihugu

6.1. None abarundi barayaga ?

6.2. Muri Ekleziya turayaga ? Gute ? Tuyagira he ?

6.3. Mbe amadiyoseze yageranye arayaga ? Afashanya gute ?

6.4. Imihari, imigwi y'ubutumwa, imiryango y'abihebeye Imana, yo bite ?

6.5. Mbe iyo habaye ukudahuza tuvyifatamwo gute ?

6.6. Ni ibihe bibazo nyamukuru vyategerezwa kwigwa cane muri Ekleziya ?

6.7. Mbe itunganya ry'ivy'igihugu tworikuramwo ikihe cigwa ?
6.8. Abakene bacu bo batwigisha iki ?

7. Imigenderanire n'ayandi madini

7.1. Ni izihe ntambamyi nyamukuru dusanga hagati yacu n'ayandi madini ?
7.2. Hokorwa iki kugira dukomeze imigenderanire hagati yacu na yo ?

8. Ubukuru mw'Isangirabutumwa

8.1. Ni uruhe ruhara rwacu mu gushinga imigambi irangurwa mu muryango ?
8.2. Inzego zabwirizwa kujaho zitariho ni izihe ?
8.3. Turimbura ryari ivyaranguwe ? gute ?

9. Ukwihweza no gushinga ikibereye

9.1. Kugira ingingo ifatwe, bica mu yihe nzira ?
9.2. Vyogenda gute kugira ingingo zifatwa mu muryango w'Abemera zize zubaka umuryango gusumba ?

10. Ukwamizako mu kwiga gusangira urugendo

10.1. Tanga indinganizo y'inyigisho (ivyigwa canke ibikorwa) zotegurwa kugira twamizeko mu kwiga kubana no gusangira urugendo.

Ugusozera

Bavukanyi, ku rwego rwa Diyoseze Nkuru yacu, iyi nama nsangizangendo y'abepiskopi bo kw'isi yose yaruguruwe. Ni inama igiye kuba mu buryo budasanzwe kuko si iy'abepiskopi bonyene, ni iyacu twese. Si inama yo gutanga ivyiyumviro gusa, ahubwo ni inama yo guhinduka. Si inama y'incabwenge zotegura neza urwandiko, ni inama ishaka kwegeranya bose ngo basangizanye urugendo. Si inama y'abitanga mu butumwa gusa, ni inama ishaka ko abakristu bose basangira urugendo. Si inama igarukira ku mbibe z'Ekleziya, ni inama ishaka gushikira umuntu wese. Si inama-kiyago gusa, aho umwe wese yumviriza uwundi, ni inama-gisabisho, inama-buzima, aho twese twumviriza Mutima.

Gende rero mwinjire icese muri ubu buzima bw'isangiramutima n'abantu bose, isangirabutumwa muri paroisse/mu muryango/mu mubano iwanyu, mukomeze ubutumwa mu mibano iwanyu.

Bujumbura, igenekerezo rya 21/10/2021

Patiri Dieudonné NIYIBIZI
Référent Diocésain pour le Synode des Evêques sur la Synodalité

Annexe 1 : Consultation au niveau diocésain

1. Les communautés paroissiales (40)
2. Les prêtres par vicariat (8 soit 2 groupes par vicariat)
3. Le conseil presbytéral (1)
4. Le conseil pastoral diocésain (1)
5. Le conseil économique diocésain (1)
6. La coordination des consacrés (1)
7. Les hauts cadres et les intellectuels : les différents groupes professionnels (4)
8. Petit Séminaire Kanyosha : (1)
9. Le Grand Séminaire de Bujumbura : organiser les étudiants en différents groupes et synthétiser leurs réponses (1).

Annexe 2 : Les groupes à consulter dans une paroisse

1. Le conseil paroissial pour la pastorale
2. Le conseil paroissial pour les affaires économiques
3. Les représentants des PCCV : comité paroissial élargi à 25-30 personnes
4. 5 PCCV : qui fonctionnent et vivent leur communauté, reculées, du Centre, des fonctionnaires, …
5. Les jeunes (3 groupes de 25-30 élèves, étudiants ; abatabandanije amashure
6. Si vous avez une spécificité, consultez-la en différents groupes (communauté des batwa, filles non mariées au service de la paroisse, les enseignants non catholiques des écoles, les responsables des confessions religieuses, …)
7. Les enseignants de religion au post-fondamental : soumettre le questionnaire à administrer aux élèves pendant la séance (3 classes de niveaux différents)
8. Les Universités : soumettre le questionnaire aux groupes non catholiques

Annexe 3. Ogranisation des consultations dans les différentes familles religieuses

1. Désigner une personne de référence dans la congrégation
2. Préparer les membres en entrer dans la marche ensemble (synode)
3. Distribuer le questionnaire dans les communautés et dans les maisons de formation
4. Tenir des séances de prière, d'écoute et de réponse aux questions
5. Recueillir les réponses (la personne de référence)
6. Synthétiser les réponses (la personne de référence)
7. Envoyer la synthèse au bureau de coordination des consacrés de Bujumbura (la personne de référence)
8. Envoyer la synthèse générale à l'adresse : synodebuja@gmail.com

Annexe 4 : Documents de référence publiés par la Secrétairerie du Synode des Evêques (cf. www.synod.va) :

1. *Document préparatoire;*
2. *Vademecum per il Sinodo sulla Sinodalità ;*
3. *Discerning the path of your diocese;*
4. *Suggested tools of reflecting, sharing, and responding to the questions of the synod;*
5. *Adsumus Sancte Spiritus;*
6. *Discours du Pape François lors de la Réflexion pour l'ouverture du processus synodal*, Rome, 9 octobre 2021.
7. *Homélie du Pape François pendant la Célébration Eucharistique pour l'ouverture du Synode sur la Synodalité,* 10 octobre 2021.
8. CECAB, *Inama Nsangizangendo y'Abepiskopi bo kw'isi yose, Urutonde ruzokurikizwa.*